# IKETE RY'URUKUNDO RW'IMANA DATA KURI WEWE

So agukunda, mwana wanje, Imana Mushoboravyose ABBA mbona gushika no mu mutima wawe kandi nzi ivyawe vyose. Zaburi 139:1
Ndazi iyicara ryawe n'ivyuka ryawe. Zaburi 139:2
Ndakubona ugendagenda n'iyo uryamye, ndazi neza inzira zawe zose. Zaburi 139:3
Mbere n'imishatsi yawe ndayizi uko ingana. Matayo 10:29-31
Nakuremye mw'ishusho yanje. Itanguriro 1:27
Ni jewe ntuma ugendagenda, ubaho kandi uba uwo uri. Ivyakozwe n'intumwa 17:28
Mbere n'imbere y'uko usamwa inda nari ndakuzi. Yeremiya 1:4-5
Nagutoranije igihe c'iremwa. Abanyefeso 1:11-12
Nturi impanuka kw'isi. Zaburi 139:15
Imisi yose yawe y'ukubaho kw'isi yanditswe mu gitabo canje. Zaburi 139:16
Ni Jewe nshiraho imisi n'ivyiza vy'igihe c'ukubaho kwawe. Ivyakozwe n'intumwa 17:26
Nakugize icaremwe c'igitangaza. Zaburi 139:14
Nakuremye mu nda ya nyoko mu buryo buteye ubwoba butangaje. Zaburi 139:13
Ni jewe nagusohoye mu nda ya nyoko. Zaburi 71:7
Nakugize igitangaza ku batakuzi. Yohana 8:41-44
Naho ukora ibibi sinaguhevye, sinashavuye kuko ndi urukundo rwuzuye. 1 Yohana 4:16
Ndagusukako urukundo rwanje rw'umuvyeyi. 1 Yohana 3:1
Kuko uri umwana wanje nkaba So. Ndaguha ibiruta ivyo so wo mw'isi ashobora kuguha. Matayo 7:11
Kuko ndi umuvyeyi wawe atagira agasembwa. Matayo 5:48
Ubuntu bwose bugushikako buva mu kiganza canje. Yakobo 1:17
kuko ni jewe ndaguha ivyo ukeneye vyose. Matayo 6:31-33:
Integuro yanje kuri kazoza kawe yama yuzuyemwo ivyizigiro. Yeremiya 29:11
Kuko ngukunda urukundo ruhoraho. Yeremiya 31:3
Ivyiyumviro nkwiyumvirako ntibiharurika, biruta umusenyi wok u kiyaga. Zaburi 139:17-18
Ndanezererwa uko umpimbaza kandi utanzira. Zefaniya 3:17.
Simpemuka kukugirira neza. Yeremiya 32:40.
Uri ihanga natoranije. Kuvayo 19:5.
Ngomba, n'umutima wanje wose, kukunezererwa n'ukuguteragira. Yeremiya 32:41
Biri mu bushobozi bwanje kukwereka ibihambaye n'ibikomeye. Yeremiya 33:3.
Igihe wondondera n'umutima wawe wose uzombona. Gusubira mu vyagezwe 4:29.
Ngira ibikunezera nanje nzoguha ivyo umutima wawe wifuza. Zaburi 37:4.
Kuko ni Jewe naguhaye ivyo vyifuzo. Ab'i Filipi 2:13.
Nshobora kugukorera ibirengeye ivyo wiyumvira. Abanyefeso 3:20.
Kuko ni jewe ngutera intege kuruta bose. 2 Ab'i Tesalonike 2:16-17.
Ni jewe Data nguhumuriza mu bibazo vyose muhura navyo. 2 Ab'i Korinto 1:3-4.
Igihe untakiye, ndi hafi ywe kandi ndagukiza ibikubangamiye vyose. Zaburi 34:18.
Nk'uko umwungere yikorera ku bitugu umwagazi, nanje ndakugumiza hafi y'umutima wanje. Yesaya 40:11.
Nzogahanagura amarira yose. Ivyahishuriwe Yohana 21:3-4.
Kandi nzohanagura imibabaro yose wagize mw'isi. Ivyahishuriwe Yohana 21:4.
Ndi So kandi ndagukunda nk'uko nkunda umuhungu wanje Yesu Kristo. Yohana 17:23.
Kuko muri Yesu niho uhishurirwa urukundo ngukunda. Yohana 17:26.
Niwe agaragaza neza uko ndi. Abaheburayo 1:3.

Kandi yaje mw'isi ngo yerekane ko ndi ku ruhande rwawe, ntakurwanya. Abaroma 8:31.
N'ukukubwira ko ntaharura ivyaha vyawe. 2 Ab'i Korinto 5:18-19.
Yesu yapfuye kugira wewe na jewe tunwane/dusubire mu bucuti. 2 Ab'i Korinto 5:18-19.
Urupfu rwiwe ni ikimenyamenya c'urukundo kaburarugero ngufitiye. 1 Yohana 4:10.
Nahevye ivyo nkunda vyose kubwawe. Abaroma 8:32.
Wemeye, ukizera, ugaha ubugingo bwawe umuhungu wanje Yesu, uba unyakiye. 1 Yohana 2:23.
Kandi ntakizogutandukanya n'urukundo rwanje. Abaroma 8:38-39.
Iwanje, mw'ijuru, haba umunezero ntangere igihe umunyavyaha yihanye. Luka 15:7.
Igihe cose namye ndi So kandi nzokwama ndi So ibihe vyose. Abanyefeso 3:14-15.
IKIBAZO CANJE KURI WEWE: URASHAKA KUBA UMWANA WANJE? Yohana 1:12-13. NDAKURINDIRIYE. Luka 15:11-32.

So agukunda, mwana wanje.
IMANA MUSHOBORAVYOSE, ABA DATA